**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

# ITANGAZO N°01/2025 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 26 RUHUHUMA 2025

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa gatatu igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 2025, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye ku magenekerezo ya 13, 18 na 20 Ruhuhuma 2025, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.



## 1. Igitabu ntunganyamigambi co mu bushikikiranganji bw'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere, hamwe n'indinganizo y'ingene iyo migambi izoshirwa mu ngiro, yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere

Iki gitabu ntunganyamigambi kije kwerekana ingene ibiri mu mugambi w'igihugu w'iterambere vyerekeye igisata c'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere bizoshirwa mu ngiro, hisunzwe kandi n'imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060.

Ikindi ni gukomeza imigenderanire ihasanzwe n'ibindi bihugu hamwe no kugwiza incuti mu kugiranira imigenderanire n'ibindi bihugu ata migenderanire vyari bifitaniye n'Uburundi.

Iki gitabu ntunganyamigambi kiraroranye kandi n'ikindi gitabu kihasanzwe cerekana politike y'igihugu mu bijanye n'imigenderanire n'amakungu ifatiye ku kugwiza ubutunzi biciye mu gukwega imitahe mvamahanga, guhanahana ibidandazwa, ubuhinga, guteza imbere inyubako nininini no guteza imbere igisata c'ingenzi.

Iki gitabu ntunganyamigambi kiraha ikibanza kidasanzwe Abarundi baba hanze y'igihugu n'abakozi b'abimukira kuko bafise ico boterera mw'iterambere ry'igihugu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora no kuyunganira, ica isaba ko ubushikiranganji bwose bwoza buragira ibiharuro vy'ivyitegererezo mu mbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060; hanyuma ibikorwa bitegekanywe intambwe ku ntambwe.

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

**2. Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afirika yerekeye gukingira abateshejwe izabo muri Afirika (bise Amasezerano ya Kampala),**
Yashikirijwe n'umushikirangaji wo gushigikirana, imibano, agateka ka muntu n'iterambere ridakumira

Amasezerano y'Ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afirika yerekeye gukingira abateshejwe izabo muri Afirika afise inkomoko ku masezerano y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU yo mu mwaka wa 1945 n'ayashizeho ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afirika mu mwaka wa 2000.

Intumbero yayo ni uguha inguvu ingingo zo mu burere bwa Afirika canke mu bihugu, zijanye no gukinga, kugabanya, kubuza canke kurandurana n'imizi ibitesha abantu izabo, no gutegekanya inyishu zirama mu gushiraho amategeko afasha mu vyerekeye gushigikirana no gufashanya muri Afirika.

Inyuma yo kwihweza iyo nteguro, inama nshikiranganji yarayemeje ibanje kuyitosora mu nyandiko.

**3. Integuro y'imigambi Reta itegekanya kurangura kuva muri 2025 gushika muri 2028,**
yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Iyi nteguro irimwo imigambi ubushikiranganji bwose bwashikirije nk'intambwe zo gushira mu ngiro umugambi w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo.

Irimwo imigambi iriko irarangurwa, imigambi mishasha yemejwe kandi imaze kuronka uburyo, iyimaze kugirirwa amasezerano hamwe n'imigambi ivyigwa vyayo bimaze guhera iriko iraronderwa uburyo.

Ku vyerekeye integekanyo yo ku mwaka ku mwaka, iyi nteguro niyo izoba urufatiro mu gutegura uburyo buzokoreshwa mu migambi izorangurwa mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026.

Uburyo bukenewe kuri iyo migambi muri ico kiringo c'imyaka itatu burenga gato imiriyaridi ibihumbi umunani n'amajana abiri na mirongo irindwi na zibiri z'amafaranga y'amarundi (8 272, 86).

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ica isaba ko mu gutegura ivyo bitabu, horabwa ibikorwa vyihuta gusumba ibindi hisunzwe Umugambi w'igihugu w'iterambere wasubuwemwo, n'imbonakazoza y'Uburundi bwifashe mu 2040, buteye imbere mu 2060.
Inama nshikiranganji yasavye kandi ko ibikorwa vyahagaze ariko vyari vyaratanguye kurangurwa vyoshirwa imbere y'ibindi.



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

### 4. Integuro y'ibwirizwa ryemeza icegeranyo c'ingene amafaranga yategekanijwe mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 yakoreshejwe,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Urugero rw'amafaranga Reta yari yategekanije gukoresha mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 rwarasubiwemwo n'ibwirizwa n° I/28 ryo ku wa 31 Kigarama 2023.

Uburyo bwinjiye bwiyongereye ku rugero rw'ivy'ijana bine n'uduce cumi na tubiri (4,12%) ugereranije n'ayari yategekanijwe mu ntango, ayakoreshejwe na yo agabanuka ku rugero rw'ivy'ijana bitatu n'uduce mirongo itandatu na tubiri (3,62%).

Mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024 ayari yategekanijwe kwegeranywa yashitse ku rugero rw'ivy'ijana mirongo umunani na kimwe n'uduce mirongo ine na dutanu (81,45%), ayari yategekanijwe gukoreshwa na yo yageze ku vy'ijana mirongo umunani na bitanu n'uduce mirongo ine n'umunani (85,48%). Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.



### 5. Integuro y'itegeko ritangaza ibiharuro mfatakibanza vyavuye muri Rusansuma y'abantu, uburaro, uburimyi n'ubworozi mu Burundi yabaye mu mwaka wa 2024,

yashikirijwe n'abahinga b'ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Mu ntumbero ya za rusansuma z'abantu n'uburaro zatangujwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu kiringo co kuva mu mwaka wa 2015 gushika mu mwaka wa 2024, Uburundi bwariyemeje gutunganya rusansuma igira kane y'abantu n'uburaro, buca burufafatanya na rusansuma ya mbere y'uburimyi n'ubworozi, kugira ngo kibe igikorwa kimwe.

Ibiharuro biva muri urwo rusansuma ni nkenerwa cane kuko vyerekana vyinshi kuri ya mbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 hamwe rero n'umugambi w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo. Ubu ibiharuro mfatakibanza birahari kandi bitegerezwa gutangazwa nk'uko wamaze kuba umugenzo ku rwego mpuzamakungu, bikaba rero bitangazwa hatarenze amezi atandatu iyo rusansuma ibaye.

Inyuma yo guca hirya no hino iyo nteguro, inama nshikiranganji yarayemeje, ica isaba gusuzuma neza ko ibiharuro biri muri iyo nteguro bihuye n'ibiri mu buhinga bwakoreshejwe muri iyo rusansuma.

### 6. Urugero ntarengwa rw'amafaranga Reta ikoresha mu gice ca gatatu c'umwaka wa 2024 ushira 2025,

Rwashikirijwe n'abahinga b'ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Urugero ntarengwa rw'amafaranga akoreshwa rutegerezwa kwubahiriza ibwirizwa rigenga amafaranga akoreshwa na Reta mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025, aho ritegeka kwerekana

urugero rw'amafaranga akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atatu-atatu, hisunzwe indinganizo y'ibikorwa n'amafaranga ategekanijwe ku mwaka.

Hisunzwe ibwirizwa rishinga amafaranga yo gukoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025, hakoreshwa amafaranga yategekanijwe gusa. Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta ararekuriwe gufata ingingo zikenewe kugira ngo ntihagire amafaranga akoreshwa atategekanijwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje.

**7. Igitabu cerekana indinganizo y'uburyo Reta izokoresha kuva mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026 gushika mu mwaka wa 2027 ushira uwa 2028,**
cashikirijwe n'abahinga b'ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Ico gitabu ni kimwe mu biherekeza ibwirizwa rishinga amafaranga Reta ikoresha nk'uko bitegekanywa n'ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta.

Nico cisungwa mu gutegura amafaranga Reta izokoresha mu mwaka ukurikira kuko gitanga intumbero, kikerekana n'amafaranga yitezwe kwinjira mu kigega ca Reta hamwe n'ayashobora gukoreshwa, hisunzwe ihindagurika ry'ubutunzi mu gihugu no mu makungu. Ico gitabu gikorera ku myaka itatu-itatu, ariko uko umwaka utashe kigashirwa ku gihe bivanye n'ihindagurika ry'ibintu.



Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ko mu biharuro vy'amafaranga ategekanywa yaba ayinjira canke ayazokoreshwa, boza baraba ko ari ibiharuro biba bifatiye ku bintu bishobora kuja mu ngiro.

**8. Integuro y'itegeko nshikiranganji rishira mu ngiro ingingo ya 118 y'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025 ryasubiwemwo,**
Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Iyi nteguro yerekeye ingene ishirahamwe LONA ryoterera mw'iterambere biciye mu mafaranga ritoza mu mashirahamwe y'abigenga atunganya inkino zo kurushanya imigisha n'ibindi bikorwa vyo gutomboza bitunganywa ngaha mu Burundi, hamwe rero n'ingene amafaranga ryatoje ryoyagabura na Reta hisunzwe ingingo ya 118 y'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira ushira uwa 2025 ryasubiwemwo. Aho ishirahamwe ritunganya izo nkino riba ryamaze kuronswa ayaryo.

Iyi nteguro rero ishinga ko kuyo ishirahamwe LONA risigarana, ibice 40% bija muri Reta, LONA nayo igasigarana ibice 60%.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ica isaba yuko izina ryayo ryogaragaza neza ico iryo tegeko ryerekeye.

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

**9. Integuro y'itegeko nshikiranganji rishira mu ngiro ingingo ya 151 y'ibwirizwa rishinga amahera Reta ikoresha mu mwaka wa 2024 ushira ushira uwa 2025 ryasubiwemwo,**
Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Iyi nteguro yerekeye amahadabu acibwa abantu batubahiriza amategeko agenga isuku mu ntumbero yo :

1° Gukingira ibidukikije no gukinga ingaruka ziva kw'ihindagurika ry'ibihe ;
2° kugirira isuku ibibanza bihuriramwo abantu benshi kugira ngo igihugu kigire ishusho nziza igana ku gihugu cifashe muri 2040, giteye imbere muri 2060.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyunganira, mu vyasabwe hakaba harimwo kuyiha izina ryerekana neza ico igamije.

**10. Urwandiko rumenyesha ibijanye n'uburongozi bw'Uburundi mw'Ishirahamwe COMESA,**
Rwashikirijwe n'umushikiranganji w'Ubudandanji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi



Iryo shirahamwe ryashinzwe mu mwaka wa 1981 nk'akarere ko guhanahana ibidandazwa muri Afirika yo mu Buseruko no mu Bumanuko kitwa ZEP. Mu mwaka wa 1994 ni ho ZEP yahinduka ikitwa COMESA.

Ihangiro ry'iryo shirahamwe ni ukugira akarere kanini k'ubutunzi n'ubudandaji gashobora guhangana n'ibibazo vyugarije ibihugu birihurikiyemwo.

Muri iki gihe, Uburundi ni bwo burongoye iryo shirahwamwe. Uru rwandiko rero rwerekana ivyo Uburundi bwipfuza ko iryo shirahamawe ryoshikako muri iki kiringo ari bwo burirongoye.

Inama nshikiranganji yarashimye ibiri muri urwo rwandiko, ica isaba ko ubushikiranganji bujejwe ubudandanji bwotegura indinganizo y'ibikorwa vyihuta kuruta ibindi vyorangurwa mu kiringo Uburundi burongoye iryo shirahamwe hanyuma bigashikirizwa ubunyamabanga bukuru bw'ishirahamwe COMESA.

**11. Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/121 ryo ku wa 24 Kigarama 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro,**
Yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro

Bikuru-bikuru muri bishasha iyi nteguro izanye ni ugushiraho ubunyamabanga ntayegeyezwa bubiri muri ubwo bushikiranganji, bumwe bugakurikirana ibijanye n'inyubako n'ibikorwa n'ibikoresho vya Reta, ubundi na bwo bugakurikirana igisata co gutunganya ibisagara n'uburaro.

Ikindi naco ni gushira muri iryo tegeko igisata kijejwe gukurikiranira hafi no kugenzura ubudandaji bw'amatunga-ntimuka, hamwe n'igisata kijejwe gukurikirana no kugenzura inyubako.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu duce tumwe-tumwe.

## 12. Urwandiko rwerekeye ingene imyiteguro yo kwubaka ahahora isoko nkuru ya Bujumbura iriko iragenda,

Rwashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro

Kw'igenekerezo rya 02 Nyakanga 2024, ubushikiranganji bw'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro bwaragiraniye amasezerano n'ishirahamwe UBAKA NATION GROUP, ajanye no guha iryo shirahamwe ikibanza cahoramwo isoko nkuru ya Bujumbura kugira ngo rihubake.

Kw'igenekerezo rya 29 Nzero 2025 ni ukuvuga inyuma y'amezi atanu ayo masezerano ashizweko umukono, iryo shirahamwe ryashikirije ubushikiranganji indinganizo y'irangurwa ry'uwo mugambi yerekana intambwe indwi z'iyubakwa ry'aho hantu zizogenda zirakurikirana haza haracamwo ikiringo kiva ku mezi atandatu gushika ku mwaka hagati y'intambwe n'iyikurikira.



Ku bijanye no kwegeranya uburyo, muri iki gihe abanyamitahe bagera ku bihumbi bine n'amajana icenda na mirongo umunani na batatu (4.983) nibo bamaze gutanga amafaranga y'amarundi angana na miriyaridi zine n'imiriyoni amajana indwi na mirongo irindwi na zitatu n'ibihumbi amajana atandatu na mirongo umunani na bitatu n'amajana atatu na cumi n'abiri (4.773.683.312) hamwe rero n'amadorari ya Amerika ibihumbi amajana atatu na mirongo ine na bitanu n'amajana ane na mirongo itandatu n'atandatu (345.466).

Uwo mugambi wose hamwe uzotwara amafaranga y'amarundi imiriyaridi amajana atanu na mirongo irindwi n'umwe n'imiriyoni amajana atandatu na mirongo icenda n'ibihumbi amajana atanu na mirongo umunani n'umunani n'amajana indwi na mirongo umunani (571.690.588.780).

Uru rwandiko rusaba :

1° Ko ibikorwa vyokorwa intambwe ku ntambwe hafatiwe ku murindi w'abasaba kwinjira muri uwo mugambi ;
2° Ko amasezerano yotegurwa agashirwako umukono kugira ngo ishirahamwe UBAKA NATION GROUP ritangure intambwe ya mbere y'ibikorwa ;
3° Ko UBAKA NATION GROUP yoronswa ikiringo c'amezi cumi n'abiri kugira ngo yegeranya uburyo bukenewe ku ntambwe zisigaye.

Inama nshikiranganji yarahaye ubushikiranganji bujejwe inyubako uburenganzira bwo gukorana n'ishirahamwe UBAKA NATION GROUP ngo bashireho amasezerano atuma iryo shirahamwe

ritangura intambwe ya mbere y'ibikorwa. Ubwo bushikiranganji kandi bwokurikiranira hafi uwo mugambi kugira ngo ugende neza ariko butinjiye mw'itunganywa ryawo.

## 13. Utuntu n'utundi

Inama nshikiranganji yarasavye ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta kwibutsa ko itangwa ry'udushirukabute canke ayandi mafaranga arenga ku mushahara uhasanzwe mu mashirahamwe Reta yahaye imitahe canke ayegamiye Reta inyuma yo gusuzuma umwimbu w'ishirahamwe inyuma y'umwaka rikibujijwe, mu ntumbero yo kwirinda gusesagura ubutunzi bw'ayo mashirahamwe.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 27 Ruhuma 2025 

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi